LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


Uwo uri wese ubahirizwa

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

**N°530 Co kuva kuwa 08 gushika kuwa 14 Ruheshi 2026**

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 14 Ruheshi 2026, abantu bashika 873 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 786 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0.INTANGAMARARA......5*

*I.UMWIHWEZO......5*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE......12*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA......15*

*IV.UBURENGANZIRA BW'IMIGWI ......17*

*V.UGUSOZERA N'IBISABWA......18*

**INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023**



# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***BRB*** | *: Ibanki Ya repubirika y'uBurundi* |
| ***CDS*** | *: Ikigo c'ubuvuzi* |
| ***CENI*** | *: Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu* |
| ***CEPI*** | *: Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw' intara* |
| ***CNDD-FDD*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi* |
| ***CNL*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo* |
| ***DCE*** | : Ubuyobozi bw'indero muri komine |
| ***DPE*** | : Ubuyobozi bw'indero mu ntara |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FARDC*** | : Abasirikare ba Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo |
| ***FDLR*** | : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda |
| ***FDN*** | *: Abasirikare b'igihugu* |
| ***FNL*** | *: Urunani rw'igihugu ruharanira kwibokoza* |
| ***M23*** | : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante |
| ***OBR*** | *: Ikigo cegeranya amakori mu Burndi* |
| ***OPJ*** | *: Inyamiramabi* |
| ***OTB*** | *: Ihinguriro ry'icayi mu Burundi* |
| ***RDC*** | : Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo |
| ***RN*** | *: Ibarabara ry'igihugu* |

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


INTANGAMARARA.....5

I. UMWIHWEZO.....5

I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE .....5

I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.....7

I.3. UMWIHWEZOW'UBUTUNGANE.....10

I.4. UMWIHWEZOW'INTWARO.....11

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE .....12

II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA.....12

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE.....12

II.1.1.1.ABANTU BISHWE N'ABANTU BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE .....12

II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORANA .....13

II.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO .....13

II.2.UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI.....13

II.2.1.AMABI AFATIYE KU GITSINA .....13

II.2.1.1.AMABI YO MU MAZU .....13

II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO .....14

II.3.1 UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO.....14

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA .....15

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI .....16

III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO .....16

IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI .....17

IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA .....17

V. UGUSOZERA N'IBISABWA .....18

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo  cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo kuva kuwa  8 gushika kuwa  14 Ruheshi 2026. Muri kino cegeranyo,umuhari Iteka uranagira umwihwezo wa poritike, umutekano,ubutungane hamwe n'intwaro.Kirihweza kandi ibintu vyerekana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no muri poritike vyaranze iyindwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryibonekeje kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka rimeze ugukwirikira: n'imiburiburi abantu 10 bishwe harimwo 9 batowe ibiziga murivyo ibiziga 6 vy' abana ;abantu 2 banyurujwe hamwe n'umuntu 1 yahagaritswe yongera arapfungwa biciye kubiri n' amategeko.

Abikekwa ko ayo mabi ahanini ni abo mu ntwaro,abaporisi,abasirikare hamwe n'urwaruka rw' Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*

### *Ukutihanganiranira muri politike muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza*

Kuwa  8 Ruheshi 2026, hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro,ku rubibe rw'imitumba Mwiruzi na Mishiha yo muri komine Gisagara,intara ya Buhumuza,urwaruka rw' Imbonerakura  zo kuri uwo mutumba zarateze umutego Abraham Ruberintwari, yahoze ari umurwanyi wa  PALIPEHUTU FNL imbere y'uko iba umugambwe FNL hanyuma umugambwe  CNL uyoboka Agathon RWASA igihe yari ku pikipiki. Amaze kubona ko hariho akagozi mw' ibarabara ,yarahagaraye baca baramutera.

Kubwo amasoko yaho,uwo yarakubiswe n'urwaruka rw'Imbonerakure baca baramwiba ivyo afise vyose harimwo iterefose,ibateri y'ipikipiki yiwe hamwe n' amahera angana na 600 000 fbu na 100 000 y' amashiringi yo muri Tanzaniya baca baronona ipikipiki yiwe.Umuryango wiwe waramujanye mu bitaro vya  komine Mishiha aremvye cane.

Kubwo ayo masoko nyene,mu rwaruka rw' Imbonerakure badomwa ko urutoke,harimwo Anatole Bigirimana, Claude azwi ku ritazirano rya komanda arongoye urwaruka rw' Imbonerakure zo ku mutumba Mwiruzi na Hakizimana azwi ku ritazirano rya Hakiza. Iyo misore 3 y' Imbonerakure iravugwa mu bubisha bwinshi bukorerwa abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta.

Uwutwara umugambwe CNL mu ntara ya Buhumuza, Lameck aratera ivyatsi uko kutihanganiranira muri poritike birangwa n'ininyifato y'ubunyamaswa y'urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD. Asaba abanyagihugu muri rusangi n'abanywanyi b' umugambwe CNL muri rusangi kurikanura mu kubumbatira ubumwe n'umutekano,kumenyesha hakiri kare abajejwe umutekano hamwe n'ubutungane ku mabi yose bakorerwa.

Uwo arongoye umugambwe nyene asaba abatware hamwe n'abajejwe umutekano kuhashika kare kugira bose bagire umutekano.Umuryango w'uwahohotewe usaba amatohoza kugira ubutungane bukore kuri Abraham.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 5)*

***Ukwerekana abagize umugwi CEPI***

Kuva kuwa 11 Ruheshi 2026, CENI yarerekanye abagize umugwi CEPI.

| Intara | Uwurongoye umugwi | Icegera c'uwutwara | Uwujejwe ibikoresho | Abandi bagize umugwi | Igitigiri c' abagize umugwi |
|---|---|---|---|---|---|
| **Gitega** | Joseph Maniriho, Hutu CNDD-FDD | Gérard Ninziza, Hutu CODIP | Vestine Nininahazwe, Tutsi CNDD-FDD | Rémy Nahimana, Tutsi UPRONA | **11** |
| | | | | Etienne Manirakiza, Hutu CNDD-FDD | |
| | | | | Violette Ndayiragije, Hutu CNDD-FDD | |
| | | | | Léonard Nahimana, Tutsi wo mw'ishengero God is Way | |
| | | | | Florence Nkurunziza, Hutu (Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu /CENI) | |
| | | | | Jean-Marie Vianney Hakizimana, Hutu Sangwe PADER | |
| | | | | Jean Ndikumana, Hutu PRP Abatuhurana | |
| | | | | Olivier Nduwimana, Tutsi (Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu/CENI) | |
| **Butanyerera** | Désiré Minani, CNDD-FDD Hutu | Janvière Nzemezimana, UPRONA Tutsi | Célestin Minani, Hutu CNDD-FDD | Floride Mukama, Tutsi CNDD-FDD | **10** |
| | | | | Claudine Niyonsavye, Hutu CNDD-FDD | |
| | | | | Claver Kimoshori -Twa IPREBAD | |
| | | | | Placide Migambi, Hutu wo muri Comibu | |
| | | | | Marvella Nkurunziza, Tutsi Onelop | |
| | | | | Janvier Ndayisenga - Hutu Ranac | |
| | | | | Jean-Claude Miburo, Hutu Radebu | |
| **Buhumuza** | Ndayisenga Evelyne, CNDD-FDD Tutsi | Nkurunziza Ferdinand, APDR Hutu | Kaburaburyo Cyriaque, Hutu CNDD-FDD | Ntahondi Godefroid, Hutu CNDD-FDD | **9** |
| | | | | Nahimana Reverien, Hutu, Ishengero gatorika | |
| | | | | Adélaide Ndayisaba,Tutsi, APRODECO | |
| | | | | Niyungeko Constantin, Hutu CENI | |
| | | | | Havyarimana J Claude, Tutsi UPRONA | |
| | | | | Ntakarutimana Florence, Tutsi FRODEBU | |
| **Burunga** | Nahabandi Philémon, Hutu CNDD-FDD | Bukeyeneza Amie Clairia Tutsi FPN IMBONEZA | Ciza Gilbert, Hutu CNDD-FDD | Niyokwizera Annociatte, Tutsi CNDD-FDD | **9** |
| | | | | Niyuhire James, Hutu (Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu /CENI) | |
| | | | | Ndizeye Jacqueline, Hutu CNDD-FDD | |
| | | | | Karabashinze Léonidas, Hutu Ishengero EUSEBU | |
| | | | | Bitariho Ferdinand, Hutu wo mumugambwe PL | |
| | | | | Pontien Niyongabo, Tutsi UPRONA | |
| **Bujumbura** | Ngendambizi Egide, Hutu CNDD-FDD | Ndayizeye Fabiola, Tutsi MSP Inkinzo | Nimbona Nathanael, Hutu CNDD-FDD | Rupereza Carine, Tutsi CNDD-FDD | **13** |
| | | | | Niyoyitungira Guillaume, Hutu AJAPE | |
| | | | | Maître Ndayirorere Bella, Tutsi (yashinzwe na CENI) | |
| | | | | Nzisabira Jean Bosco, Hutu Ishengero Beloved Church | |
| | | | | Nikwigize Isaïe, Tutsi (yashinzwe na CENI) | |
| | | | | Ntibatorwa Giscard, Hutu A.N.D Intadohoka | |
| | | | | Dushime Aimée Mylène, Hutu (yashinzwe na CENI) | |
| | | | | Habonimana André, Tutsi UPRONA | |
| | | | | Ingabire Evelyne, Hutu (yashinzwe na CENI) | |
| | | | | Nahimana Pierre, Hutu FNL | |

## I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 7)

### Ikiziga c'umuntu bazuye muri komine Matongo, intara ya Butanyerera

Kuwa 11 Ruheshi 2027, mw'itongo ry'abapfuye ryo mu Rukoma zone Kabuye, komine Matongo, intara ya Butanyerera, ikiziga ca Akimana Divine avuka ku mutumba Gitwe,yahambwe kuwa 10 Ruheshi 2026,carazuwe n'abantu bataramenyekana baca bamuca umutwe.Kubwo ivyabona vyaho,abakoze iryo bara bagiye bajanye umutwe w'uwazuwe ahantu hatazwi.

Ivyo vyabona nyene bimenyesha ko ku musi wa kabiri mu gitondo batoye umupanga hamwe n'imbambiri za Minani Laurent na Pontien bafashwe bongera batwarwa mu gasho ka komine Matongo kumvo z'amatohoza y' ubutungane. Uwundi mu bikekwa, Nyabenda Ildephonse,wo ku mutumba Gitwe zone Kabuye komine Matongo intara ya Butanyerera yarahagaritswe kuwa 11 Ruheshi 2026 kumvo z'amatohoza kubwo ayo masoko nyene y'iMatongo.

Umutwe w'uwazuwe watowe ku gacimbiri kazibaziba iruhande y'uruzi Nyakabindi kuwa 12 Ruheshi 2026.Kubera agashavu umuryango wiwe waraturiye inzu ya Nyabenda ildephonse afatwa nk'uwateguye iryo bara.

Yamuremye Diomède, umukuru w'umutumba Gitwe aremeza iyo nkuru.Umuryango w'uwazuwe usaba ko ubutungane bwokora vyihuta kandi ababikoze bagahanwa hakwirikijwe amategeko.

### Abantu babiri bakomeretse barashwe n' umuporisi, muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza

Kuwa 6 Ruheshi 2026, ku gacimbiri Murore, umutumba Kigati, komine Gisagara, intara ya Buhumuza, Venuste Sinzobatohana, umukuru w'umugambwe CNDD-FDD ku mutumba Kigati,akaba n'umuforoma ku bitaro vy' akarere k'ubuvuzi k'i Murore n'uwugendesha imodoka nini yo mu bwoko bwa Benne yo muri ARB barakomerekejwe n'umupolisi yitwa Diomède mu gihe hashwana abakozi b'ishirahamwe rikora amabarabara mu Burundi (ARB) n'uwubarongoye.

Abakozi basaba guhembwa umushahara wabo mugihe umukoresha wabo yashaka kumanuka i Bujumbura kandi ni muri ico gihe hatangura iyo mishwano.Abakozi bakora mu bikorwa vyo gutsindagira ibarabara rya Cankuzo-Gisagara gushika ku rubibe Gasenyi rw'u Burundi na Tanzaniya.

Uwo mu porisi wo ku kirindiro ca Murore yarahashitse kugira ahuze izo mpande 2 hama uwutwara umugambwe CNDD-FDD ku mutumba Kigati, yarahashitse mu maguru masha agomba kuvyivangamwo.Ukutumvikana vyaradutse hagati y'umuporisi na Venuste kuvyerekeye uko bobitunganya hanyuma ishavu riraduga hagati y'abo bantu babiri.Umuporisi yararashe akomeretsa n' amasasu abantu babiri.

Umuporisi yarahagaritswe aca atwarwa mu gasho ka komisariya ya komine Gisagara hanyuma abakomerekejwe n'iryo sanganya batwarwa ku bitaro Turashoboye vy'i Karusi aho bariko baravurirwa.

### Umuporisi yaturubitswe n'Imbonerakure muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza

Kuwa 9 Ruheshi 2026, ku gacimbiri Murore, umutumba Kigati, muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza, uwitwa Etienne, umuporisi wo ku kirindiro c'igiporisi c' i Murore yaragiraniye ingorane n'uwitwa Jean Doé atwara Imbonerakure zo kuri uwo mutumba wa Kigati. Kubwo amasoko yaho,uwutwara urwaruka rw' Imbonerakure zo kuri uwo mutumba Kigati yagirije umuporisi ko yaraye aturubitse umugore wiwe kuwa 8 Ruheshi 2026 hanyuma uwo muporisi aranka ivyo yagirizwa.Abo bantu uko ari 2 baciye batangura kurwana umuporisi aca aja ku kirindiro iwe kuzana inkoho yiwe kugira arase Jean Doé ariko abo bakorana baratebutse kumwaka inkoho.Umuporisi yahawe itegeko ryo gusubira muri komisariya ya komine Gisagara aho ari muri uyu mwanya.Umuporisi ategura kwitura ubutungane kugira arenganurwe kubera yakubaguwe n'uwutwara urwaruka rw' Imbonerakure zo ku mutumba Kigati mugihe yari mu kazi kiwe.Abanyagihugu basaba ko hoba ihimirizwa ku mwumvikano w'abantu kugira umuntu wese amenye aho agarukira mu kurangura ivyo ajejwe.

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE *(Ibikurikira urupapuro 6)*

Umukuru w'umugwi CENI Prosper Ntahorwamiye yashikirije ko icagura ry'abagize umugwi CEPI vyakozwe hisunzwe ingingo ya 38 yo mw'itegeko rigenga amatora.

Iyo ngingo yubahiriza ukunganisha muri poritike-ubwoko hamwe n'igitsina.Aramenyesha kandi ko CENI yisunze ivyipfuzo vy'imigambwe 5 itavuga rumwe na Reta yaheruka gushikiriza urwandiko umukuru w' igihugu Ndayishimiye kugira bashire ahabona ukudakorera ku mugaragaro kwa CENI mu nteguro y'amatora y'umukuru w'igihugu mu mwaka wa 2027.

Ubutegetsi bwaragize uruhara rukomeye mw'itorwa ry'abagize umugwi CEPI.Nk'inkurikizi,iruhande y' abagize umugwi bazwi bo mu mugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD,abagize umugwi batanzwe n'abarongozi bo muntwaro nabonyene begereye umugambwe uri ku butegetsi bavuye mu migambwe no mu mashirahamwe yigenga yegereye ubutegetsi.

Umukuru w'umugambwe CODEBU yarahaye ikiganiro abamenyeshamakuru kugira ashire ahabona ikumirwa ryakorewe imigambwe 4 itavuga rumwe na Reta.

Keffa Nibizi yamenyesheje ko CENI iriko ivuga ko ugushiraho abagize CEPI bikumira mugihe abagize iyo migwi ahanini ari abo mu mugambwe CNDD-FDD n'imigambwe icuditse n'uwo mugambwe hamwe n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'abanyamashengero yegereye CNDD FDD.

## I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO

**Mu gacerere n'uguhemukirwa, akababaro karibonekeza mu miryango y' Imbonerakure zo mu Burundi.**

Haraciye indwi, i Bujumbura,imiryango myinshi,nko mu makomine ya Mugina, Cibitoke, Bukinanyana na Mpanda,bari mu mubabaro ,batakimenya amakuru y'ababo bari mu ntambara zo muri Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo. Muri uwo mwihwezo, bimenyerewe ko imiryango y'abasirikare yonyene niyo rimwe na rimwe imenyeshwa ivyabaye ku bayo,cane cane iyo ari abari mu mabanga yo hejuru.

Ku vyerekeye Imbonerakure,ukumenya ivyabo biva muri rusangi mubivugwa n'abashobora guhunga intambara.Uwahoze arwana,kera yari arongoye umugwi w'Imbonerakure,aradusabikanya ivyiyumviro : « Kuva kuwa 8 Ruheshi 2026,ingwano zikomeye zirabandanya mu Minembwe na Fizi hamwe no mu micungararo yaho,bihitana ubuzima bw'abantu abandi barakomereka,bigatera ukwihebura mu miryango myinshi cane cane iyiwacu mu Cibitoke. Naramenye urupfu rw'abantu twamaranye ibihe muri Kongo. Abantu bava iMugina, Rugombo, Buganda, Bubanza canke b'i Bujumbura bari ku rutonde rurerure rwatanzwe n'abo tuvugana bari muri Kongo. Haraciye imisi myinshi umuhari M23 uteye FARDC,bashigikiwe na FDN na Wazalendo,hamwe n'akagwi k' abanyarwanda bafise uburambe mu ndyane,harimwo aba FDLR ntiriwe ndabavuga amazina.Bamaze gufatwa mu mugongo n'igisirikare c'uBurundi ku rubibe bahana n'uRwanda,twarungitse ku rugamba abarwanyi benshi bashasha bahuguriwe iBukinanyana,Ruyigi na Kongo.

Kubwo amahirwe make,abarwanyi bacu bahura n' ibitero vyo mu kirere vya M23,ikoresha indege,ubuhinga tutamenyereye kandi butikiza abarwanyi bacu. » Iryo soko,ry'uwafashe ingingo yo kwiyonjorora mu karere k'intambara,rishikiriza ko kazoza k' Imbonerakure karimwo agapfungu mugihe abantu,haba abarundi canke abanyamahanga, babafata nk'abicanyi atacizere bafise co gusubizwa mu buzima busanzwe.

Yongerako : « Nivyo benshi muribo barishe,ariko harimwo n'abera.Ubu ingorane y'iyo migwi 2 n'uko benshi muribo bipfuza kubivamwo,ariko batabona uko bobikora.Abagerageza guhunga barahakwa kuhasiga ubuzima kandi kenshi baricwa.Inkehwa zashoboye kuva muri ako kaga bikitse mu kiza hafashwe Goma na Bukavu babona kuja muri Kenya, Zambiya n' Uganda. Kuvyerekeye abasigaye,benshi muribo ni abataciye mw'ishure kandi batagira n'impapuro z' inzira, bigatuma gutoroka bigora cane.» Asozera ashikiriza ko izo Mbonerakure zibandanya zisiga ubuzima ku bintu bitagira akamaro,mugihe abaronka akarusho kubera iyo ntambara bafise ubuzima bwiza iBujumbura.

Abo rero bidogera abana b'imiryango iteye imbere,bobo mu ntango,bari bizeye ko bagiye muri izo ndwano,bamwe muribo bohambije aba FARDC kugira baronke icorirenza.Kurundi ruhande,basanzwe bazi ko ubutare bwo muri Kongo bwobatungishije vyihuta,biyumvira ko botunga vyoroshe kubera intambara.Indoto,ubwonyene zahindutse uguhemukirwa.

## I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO (Ibikurikira ku rupapuro 8)

### Umuporisi yaturubitswe n'Imbonerakure muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza

Kuwa 9 Ruheshi 2026, ku gacimbiri Murore, umututumba Kigati, muri komine Gisagara, intara ya Buhumuza, uwitwa Etienne, umuporisi wo ku kirindiro c'igiporisi c'i Murore yaragiraniye ingorane n'uwitwa Jean Doé atwara Imbonerakure zo kuri uwo mutumba wa Kigati.Kubwo amasoko yaho,uwutwara urwaruka rw'Imbonerakure zo kuri uwo mutumba Kigati yagirije umuporisi ko yaraye aturubitse umugore wiwe kuwa 8 Ruheshi 2026 hanyuma uwo muporisi aranka ivyo yagirizwa.Abo bantu uko ari 2 baciye batangura kurwana umuporisi aca aja ku kirindiro iwe kuzana inkoho yiwe kugira arase Jean Doé ariko abo bakorana baratebutse kumwaka inkoho.Umuporisi yahawe itegeko ryo gusubira muri komisariya ya komine Gisagara aho ari muri uyu mwanya.Umuporisi ategura kwitura ubutungane kugira arenganurwe kubera yakubaguwe n'uwutwara urwaruka rw' Imbonerakure zo ku mutumba Kigati mugihe yari mu kazi kiwe.Abanyagihugu basaba ko hoba ihimirizwa ku mwumvikano w'abantu kugira umuntu wese amenye aho agarukira mu kurangura ivyo ajejwe.

### Ubusuma bw'amamashini nyabwonko kw'ishure shingiro Rongero muri komine Rutana mu ntara ya Burunga.

Kuwa 9 Ruheshi 2026, kw'ishure shingiro (ECOFO) riri ku mutumba Rongero, zone Rongero, komine Rutana intara ya Burunga, umuyobozi w'iryo shure Léonidas Niyungeko, umwigisha atwara abandi hamwe n'abanyezamu barahagaritswe n'igiporisi ca komisariya ya Rutana bagirizwa ubusuma bw' imashini nya bwonko 9 zirikumwe n'ibindi bijanye nazo vyo kuri iryo shure zibwe mw'ijoro ryo kuwa 8 Ruheshi 2026.Barabashize mu gasho ka komisariya ya komine Rutana kumvo z'amatohoza kubera impfunguruzo z'inyubakwa yarimwo izo mashini zari zifiswe n'umuyobozi hamwe n'uwuserukira abigisha.

Abigisha hamwe n'abavyeyi basaba ko amatohoza yimbitse yokorwa kugira hamenyekane uruhara rw'umwe umwe muri ubwo busuma.

Inyubakwa yarimwo izo mashini yaboneka ko ata nahamwe yabomotse kandi yasa n'iyagumye yugaye neza.Bamaze kubibona,abarongozi muntwaro baratabajwe imbere yo kubijana mu giporisi.Abaporisi barashitse aho vyabereye baca bafata ingingo yo guhagarika abantu bajejwe gutunganya hamwe no kurarira ishure kugira bakwirikirane amatohoza.

Inkurikizi ziramaze kwibonekeza ku buzima bw'ishure.Gushika kuwa 10 Ruheshi 2026,abanyeshure ntibari bwasubire kwiga.Aho umuyobozi akorera,ahoba nahonyene habikwa impfunguruzo z'ibirasi,hoba harugawe mu ntumbero y'amatohoza.

Ku ruhande rw'abatwara igisata c'indero,ivyo bikwirikiranwa mu bwitonzi.Benshi baremera ko babimenyeshejwe ariko bakamenyesha ko biguma bigoye gutahura ukuntu ubusuma nk'ubwo bwakozwe mu buryo, ukibibona,buterekana ibimenyetso vyibonekeza.

Izo mashini zari zatanzwe mu ntumbero y' ubufasha bwo hanze bugenewe gukomeza ubushobozi mu nyigisho.

Twomenyesha ko kubwo amakuru yaho,ibintu nk'ivyo vyarabaye muri 2018 kw'ishure rikuru Lycee Rutana,aho imashini zishika 15 zabuzwe irengero,abarongozi b'ishure hamwe na bamwe mu bakozi barapfungwa hanyuma bararekurwa ariko gushika ubu,ntuvyashobotse ko imashini ziboneka canke ngo hamenyekane abazivye.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO* *(Ibikurikira urupapuro 9)*

### ***Inama y'umutekano muri komine Gisagara mu ntara ya Buhumuza.***

Kuwa 12 Ruheshi 2026, mu nyubakwa ya zone Mishiha,komine Gisagara, buramatari w'intara ya Buhumuza yaragirishije inama y'abasitanteri b'amakomine y'iyo ntara hamwe n'abategetsi bo hejuru mu ntara n'abarongozi bo mu makomine mu bisata bitandukanye.

Buramatari yaratomoye ko umutekano wifashe neza ariko ko borikanura naririya amakomine yose y'intara akora ku mbibe z'ibihugu bibanyi havuyemwo komine ya Butaganzwa.

Mu bintu vyonona umutekano,yaragarutse ku binyobwa biborera cane biri mu macupa ya plastique vyonona amagara y'abantu kandi bamwe biri mu kubica.

Kuri ico,buramatari Denise Ndaruhekere yategetse abajejwe umutekano hamwe n'abajejwe intwaro ku ngazi zose kuraba ko ubwo bwoko bw'ibinyobwa butosubira kwinjira ku butaka bw'intara ya Buhumuza.

Asaba ko ibinyobwa bisanzwe biri mu bice bitandukanye mu karere vyodandazwa bukebuke gushika bihere vyose.Kuvyerekeye ibinyobwa bibujijwe n'amategeko ( gongo, kanyanga, umuraha/ umunanasi)),uramatari ashimira indongozi zo ku mitumba ku buhinga bakoresha mu kurwanya ivyo binyobwa.

Kuvyerekeye ububiko bw'ibigori vyaguzwe na ANAGESSA bucuzuye,buramatari atomora ko umushikiranganji ajejwe ubudandaji azotezurira ubwo bubiko kugira bashobore kugira ibishasha.

Abadandaza hamwe n'abaguzi bamenyesha ko ico kibazo cotegerejwe kwigirwa hasi kubera ari buramatari nyene yatanze uruhusha rwo kubushiraho biciye muri BBIN. Baribaza ikibazo co kumenya ko abarongozi bohejuru batinya kubarira bene amahinguriro y'ivyo binyobwa.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### ***Intererano z'agahotoro gatangishwa n'ibiro vy'inyigisho muri komine Nyabihanga mu ntara ya Gitega.***

Umuyobozi w'ishure nshingiro Vyuma muri DCE Nyabihanga mu ntara ya Gitega, Jean Bosco Gahungu, yategetse abakozi bose bo kw'ishure yiwe kuriha amahera angana 5.000fbu kugira baronke Ifishi yo gushirako amanota ajanye n'ubushobozi bw'abigisha mu mwaka w'ishure 2025-2026.

Ifishi yo gushirako amanota y'ubushobozi ijanye n'urupapuro rw'amanota mu kiringo co kuva kuwa 01 Rusama 2025 gushika 30 Ndamukiza 2026.

Indongozi zimukurira mu vy'indero zarabujije abayobozi b'ishure gutangisha ayo mahera ku mvo zo gufasha gufotoza izo fishi.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

### *Irekurwa r'abakozi bo mu bunywero Butanyerera muri komineNgozi mu ntara ya Butanyerera*

Igenekerezo ryo kuwa 12 Ruheshi 2026, mw'ibohero rikuru ry'i Ngozi, muri komine Ngozi,mu ntara ya Butanyerera, abakozi 6 bo mu bunywero bita Butanyerera bw'umuyobozi mukuru wa PARCEM bararekuwe. Kuwa 3 Ruheshi 2026, bari bungururijwe mw'ibohero rikuru ry'i Ngozi bava mu busho bw'igiporisi. Abo bakozi y'ububunywero bwa Butanyerera bagirijwe kuba batunze ibirwanisho bitarekuwe n'amategeko hamwe n'umwambaro w'igisikare kandi ari nabo bahamagaye abajejwe umutekano kugira bakore amatohoza ku nkoho hamwe n'ibindi bikoresho vy' igisirikare babonye mu gikoni.Inkoho yo mu bwoko bwa kalachnikov yatowe mu bubiko bw'ubwo bunywero kuwa 17 Rusama 2026 kandi kuva kuva uwo munsi abo bakozi 6 bari mu minwe y'igiporisi. Faustin Ndikumana yariyamirije abacafuje izina ryiwe hamwe n'abakozi biwe. Mu kiganiro c' abamenyeshamakuru cabereye i Bujumbura, uwo muntu yigenga akurikiranira hafi ibikorwa vya Reta avuga ko indwano yiwe atari iy'ibirwanisho bicira umuriro ariko gushira ahabona ibitagenda neza hamwe n'intambamyi zisubiza inyuma iterambere ry'igihugu c'Uburundi.

### *Ugucira urubaza uwagirizwa ubwivanyi muri komine Butihinda mu ntara ya Buhumuza.*

Kuwa 10 Ruhenshi 2026, Sentare nkuru ya Butihinda yashashe ku mutumba Rugese,muri zone Giteranyi, muri komine Butihinda, mu ntara ya Buhumuza yaciriye urubanza Niyomwungere Janvier azi kw'itazirano rya Gihayima, w'imyaka 27 , umuhungu wa Mutabazi Juvénal na Kabatare Véronique.

Ku bwo amasoko yaho,yagirijwe kugerageza kwica se wiwe akoresheje icumu, Mutabazi Juvenal hamwe no kwica umukobwa mutoyi w'imyaka 6 yitwa Mutoniwase.

Muri urwo rubanza,yarahakanye icaha co kwica se wiwe mu kuvuga ko uwo se wiwe yoba yanse kumuvuza indwara y'intandara,imubangabiye kuva 2014. Se wiwe yaranse kandi ibirengo bivuga ko umuhungu wiwe arwaye intandara kuko nta kimenyetso na kimwe cerekana ko arwaye iyo ndwara. Yongera ko mu gihe uwo muhungu yagerageza kumwicisha icumu ariko ntibikunde,yafashe mu kanigo agakobwa gato hanyuma amucumita kw'izosi.

Kubw'isoko ryacu nyene,Sentare yemeje ko uwo muhungu yagiriwe c'icaha co kugerageza kwica se wiwe hamwe no kwica uwo mukobwa mutoya.

Umushikirizamanza yasavye kandi Sentare gukatira Janvier umunyororo w'ubuzima bwose hamwe no kuriha indishi y'akababaro ingana n'imiriyoni 3 z'amafaranga y'amarundi(3 000 000Fbu) hamwe n' igihano c'agasunuzo k'imyaka 15 mugihe atoriha amahera y'amagarama (120 000 Fbu).

### *Urubanza rw'abagabo 4 bagirizwa ubwicanyi muri komine Butihinda mu ntara ya Buhumuza.*

NZOYISABA Adrien, Nkurunziza Pierre, Ndacayisaba Saïdi, Bizuwurema Richard bose bo ku mutumba Ngara muri Zone na komine BUTIHINDA barabajijwe imbere ya Sentare nkuru ya Butihinda, kubera gukubita babiteguye Banyansekera Imelde,gushika apfe.

Ku bwo amakuru yatororokanijwe aho nyene,bose batanguye guhakana ivyo bagirizwa,ariko mu nyuma bemera gukora iryo bara.

N'ubu ku bwo iryo soko ryacu, iryo bara ryabaye ku mvo z'uko bamwe mu miryango yabo bemeza ko yoba yarabaroze.

Bose baciriwe imyaka 10 y'umunyororo hamwe n' imiriyoni 100 y'amafaranga y'amarundi azohabwa umuryango wa Rutarati (umuryango umupfasoni Imelde aturukamwo ) nk'indishi y'akababaro hamwe n'ibihumbi ijana y'amafaranga y'amarundi (100,000Frbu) azoja mu bubiko bwa Reta kandi mugihe atarishwe,bazopfungwa umunyororo w' imyaka 50.

## II. UBURENGANZIRA BWO KWIGENGA NO MURI PORITIKE

### II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

#### II.1.1. UBWICANYI

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE

### *Ikiziga catowe muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura*

Ku wa7 Ruheshi 2026, hafi y'isaha icenda, Jean Noël Nikoyagize yavuye mu muryango wiwe uri ku Mutanga Nord,kw'ibarabara Musave,inomero 19.

Imbere yuko agenda,yambwiye abamwegereye ko agiye mu giteramo categuwe nabavuka muri zone Kinindo ,muri komine Ntahangwa,mu ntara ya Bujumbura kibera mw'ihoteri Méridien. Naho igiteramo caheze isaha zine z'ijoro,ntiyatashe muhira. Batewe amakenga yo guteba bitamenyerewe,umuryango watanguye bunonyene gutabaza,kandi bukeye bwaho,kuwa mbere,igenekerezo rya 8 Ruheshi 2026,wamenyesheje ku mugaragaro iburwa irengero rya Jean Noël ku bagenzi,ababegereye hamwe nabo bazinanye bose.

Mu myanya wa mbere,umuryango bagiye kurondera mu nzego z'igiporisi. Kuva kuwa mbere gushika kuwa gatatu,abanyamuryango biwe barondeye mu busho butandukanye bwo mu mazone atandukanye ndetse no muri komisariya y'igiporisi,ariko ntacavuyemwo. Niho kuwa kane umuryango wiwewafashe ingingo yo kwongereza amatohoza mu bigo vy'amagara y'abantu.

Bagiye mu burukiro bw'ibitaro vyitiriwe Umwami Khaled,abamwegereye bahavuyebatora ikiziga ca Jean Noël Nikoyagize. Abakozi bo muburuhukiro babamenyesheje ko ikiziga cazanywe n'indongozi zaho,nk'uwurongoye zone hamwe n'uwutwara karatiye Kamenge.

Tugiye guhura n'izo ndongozi zaho kugira turonke umuco,umuryango wamenye uko batoye ikiziga . Uwo yatowe mu kamenge, mu murima w'imboga,n'abarimyi bagiye aho hantu kandi bunonyene batabaza indongozi za karatiye hamwe na zone.

Bashitse aho vyabereye, indongozi zabonye ko yari yambaye impuzu ziwe,kandi amaguru yiwe yari yuzuyeko ivyondo,ariko umubiri wiwe ntagikomere nakimwe kiboneka.Vyongeye,ugusaka impuzu ziwe ntivyafashije gutora urupapuro na rumwe rumuranga kandi terefone yiwe ngendanwa ntayo yari yarafise. Kubwo kunanirwa kumenya ibiranga umuhisi ako kanya, indongozi zaho zafashe ingingo zo kujana ikiziga mu buruhukiro bw'ibitaro vyitiriwe Umwami Roi Khaled.

**Ikiziga c'umugabo catowe kuwa gatanu ku mutumba Mitakataka, wo muri komine Bubanza mu ntara ya Bujumbura**

Ikiziga kirambaraye mw'ishamba ritari kure y'iyororero Randa. Ku metero nkeya uja ku kirindiro c'igisirikare c'iRanda.

Cari gitanguye kwononekara. Asa n'uwuri gusa,atamaso agifise,ntiyashoboye kumenyekana, Intwaro zafashe ingingo zo kumuhamba bunonyene.

Ku bwo amasoko yaho, uwo yatowe yoba ari uwo mu karere ka Zina,muri zone Buvyuko, muri komine Bubanza. Imvo y'ubwo bwicanyi ntizwi. Ntanumwe yikekwa yahagaritswe.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

### II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA KWIHORA

#### *Umuntu yishwe muri komine Cibitoke mu ntara ya Bujumbura*

Kuwa 13 Rusama2026, hafi y'isaha zibiri z'igitondo,muri karatiye Munyika, muri zone Rugombo, muri komine Cibitoke,muntara ya Bujumbura, Fabien Manirakiza yicishijwe umupanga,n'umuhungu wiwe Fidèle Yamuremye, umunyeshure wo mu mwaka 7 kw'ishure rya komine Rugombo, kubwo amasoko yegereye umuryango w'umuhisi,ubu ariko araronderwa n'igiporisi kubera yahunze inyuma yo gukora ayo mahano. Kubwo ayo masoko nyene,igiporisi hamwe n'imbonerakure bahagaritse umugore w'umuhisi ku mvo z'amatohoza.

Ku bwo ivyabona vyo mu karere,uwo muhungu yagiriza se wiwe ko adakora ivyo ajejwe mu muryango ,mu kumwagiriza kumara iminsi myinshi atari mu muryango(akora mu birindiro vyo gucukura inzahabu),atano guha na rimwe amahera akura muri ako kazi.

Ikiziga c'umuhisi cajanywe mu buruhukiro bwo ku bitaro vya Cibitoke mukurindira kumushingura.

### II.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE NO KUBURWA IRENGERO

#### *Umuntu yanyurujwe muri komine Cibitoke mu ntara ya Bujumbura*.

Kuva mu ntango y'ukwezi kwa Rusama 2026, CISHAHAYO Nestor, umunywanyi wo mu mugambwe CNDD FDD,w'imyaka 47, ava ku mutumba Ngayane muri zone ntunda yo muri komine Gitaramuka yahoze ari intara ya KARUSI yaba i Bujumbura aho yari yagiye kudandaza amakara haciye imyaka 8,yabuzwe irengero. Ku bwo abamwegereye,yabuzwe irengero haciye indwi 3 naho batavuga itariki yaburiyeko. Amasoko avuga ko yari yahagaritse urudandazwa rw'amakara kandi ko ubu ya umunywanyi w'inama y'ishengero izina ryayo ritazwi n'abo iwabo kandi ko yari yagiye mu yahoze ari intara ya Cibitoke mu ntumbero y'iyo shengero mugihe iyo nama yari mu matati. Yahagaritswe n'abakozi b'iperereza ariko ntawubizi neza. Umuryango wiwe n'abagenzi biwe bagerageje kurondera mu mabohero menshi ariko barabura.

#### *Umusirikare yanyurujwe ku Musaga muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 12 Ruheshi 2026, ivuga ko kuwa 5 Ruheshi 2026, Bizimana Gérard, umusirikare.yarikumwe n'umuntu yitwa Cédric kandi bariko bafungura mu bunywero bw'uwahoze ari umushingamateka Lewis. Niho ingendeshwa yo mu bwoko bwa double cabine ifise ibiyo bitabona yaza aho hantu. Abantu bambaye umwambaro wa gisikare barurutse,hanyuma bafata BIZIMANA Gérard hanyuma bamwuriza ku nguvu ingendeshwa,hanyuma igendeshwa iragenda.

Kuva ivyo bibaye, ntanumwe azi aho apfungiwe ndetse no kucamushikiye. Umuryango wiwe urahangayitswe cane n'umutekano wiwe.

## II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO

### II.2.1. AMABI AFATIYE KU GITSINA

### II.2.1.1. AMABI YO MU NZU

#### *Umugabo yaturiwe n'umugore wiwe mu Gahahe, muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera*

Kuwa 14 Ruheshi 2026 umugabo yitwa Nimbona Tharcisse yaturijwe n'amazi abize n'umugore wiwe ahishakiye Joselyne bose bo ku mutumba Gahahe wo muri komine kayanza mu ntara ya Butanyerera.

Amakuru yatanzwe n'uwaturiwe avuga ko yatashe mw' ijoro kandi ko umugore yamwadutse amwagiriza ko adakora neza ibikorwa vya serugo cane cane mugutanga amahera y'imfungurwa adakwiye mu muryango. Nimbona Tharcisse avuga ko asagirijwe,yiyugaraniye mu cumba bararamwo hanyuma umugore wiwe Ahishakiye Joselyne yaguma ashaka kwinjira ku nguvu igihe umugabo yugurura ku gahato umuryango. " *Nuguruye umuryango*

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO (Ibikurikira urupapuro 13)*

*hanyuma bunonyene,umugore yansuttseko amazi abize mu rubavu rw'ukubamfu*", vyicuza uwo yaturiwe Nimbona Tharcisse.

Mw'ishirahamwe ry'abagabo bari mu gahinda baharanira agateka k'abagabo baranekura ko uwagirizwa icaha yoba yidengemvya kandi bagasaba ko abagore bakora ayo mabi afatiye ku gitsina akorerwa abagabobo shengezwa imbere y'ubutungane hanyuma bahanwe hakurikijwe n'amategeko nk'uko bimeze ku bagabo bakorera amabi afatiye ku gitsina uko ameze kwose.

### *Ikiziga catowe muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza*

Mw'ijoro ryo kuwa13 Ruheshi 2026, ku mutumba Gatungurwe, muri zone na komine Cankuzo,mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Venant Burengere catowe mu murima w'ibiharage. Ku bwo amasoko yaho,uwo muhisi yishwe hakoreshejwe imbugitan'umugore wiwe yitwa Madaleine kandi inyuma yogukora iryo bara, Madaleine yataye ikiziga c'umugabo wiwe mu murima w' ibiharage. Kubwo ayo masoko nyene,ababanyi hamwe n'umutware arongoye umutumba Gatungurwe bemeza ko Madeleine agendana indwara yo mu mutwe. Igiporisi camaze gutangura amatohoza kugira haboneke umuco muri urwo rubanza.

## *II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO*

## *II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

### *Uguhagarikwa n'ipfungwa bidakurikije amategeko ry'umuntu ava muri kongo mu ntara ya Bujumbura*

Ihagarikwa rya Benjamin Babunga Watuna,ava muri kongo ,umuhinga mpuzamakungu yigenga akaba n' umusesanguzi wo mu karere k'ibiyaga binini mu vyerekaye kahise,ryabereye i Bujumbura kuwa 26 Rusama 2026. Umukozi wa cane kandi akurikiranwa ku mbuga,Watuna azwi ku busesanguzi bwiwe yashira ahabona bujanye n'akahise hamwe na poritike yigenda ku gihugu ca Repuburika iharanira demokarasi ya kongo ndetse no mu karere. Ku kubura amakuru azwi ku ruhande rw'indongozi z'abarundi canke z'abanyekongo mugihe vyaba,ibintu vyegeranijwe n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n'abegereye uwo yahagaritswe bitanga umuco ku rubanza ahanini rugizwe n'imvo za poritike.

Amasoko yahurijweko,ihagarikwa ryatanguye ku buryo budasiguritse ku mvo ry'ikosa ritoya ryo mw'ibarabara ,ivyo umuhari Iteka ufata uyu munsi nk'uburyo bakoresheje kugira bamuhagarike atawubiciye ikanda.

Yafashwe n'umuporisi amwagiriza kuba yahagaritse ingendeshwa yiwe mu kibanza kibujijwe, Watuna yabonye imvo nyayoy'ivyo bamwagiriza.

Bunonyene, ubutabazi bw'igiporisi bwarahashitse kandi umuporisi yuriye ku nguvu mu ngendeshwa yiwe amutegeka kubakurikira gushika ku kirindiro. Ivyo vyerekeye umutekano w'ibarabara vyahindutse bunonyene urubanza rujanye no guhungabanya umutekano w'igihugu,uwugendesha imodokari yaciye ashirwa buno nyene mu minwe y'ikigo c'iperereza ry'igihugu c'Uburundi.

Hmwe uwo musesanguzi ari mu minwe y' iperereza,SNR,idosiye yafashe iyindi ntumbero ya poritike ikomeye irimwo amatohoza aboneka y'indongozi za Kinshasa. LeReta ya kongo cagiriza rero Watuna gukorana n'umuhariw'abarwanyi M23, bashigikira ko yoba abafasha mu vyerekeye uburyo mukujana amahera agenewe abantu bakorana n'uyo muhari bari mu Burundi.

Inyuma y'ihagarikwa ryiwe,amaterefone yiwe hamwe n' imashini nyabwonko vayarafashwe kugira azosesangurwa n'abahanga bakomeye. Ariko,kubwo amasoko yacu,nta kintu nakimwe kimwagiriza basanze muri ayo materefone n' ingendeshwa kugira bemeze ibirego vy'i Kinshasa.

Inyuma y'iminsi cumi apfungiwe mu gasho k'iperereza, Benjamin Babunga Watuna eyarungitswe mw'ibohero rikuru rya Bujumbura kuwa 5 Ruheshi 2026, aho gushika ubu apfungiwe. Iryo hagarikwa ryabaye inyuam y'umubonano ku mugaragaro i Bujumbura hagati y'umushikiranganji w' Uburundi ajejwe umutekano hamwe 'umushikiranganji wa mbere wa Kongo ajejwe umutekano.

## *III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI, IMIBANO N'IMICO KAMA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI N'INTERERANO Z'AGAHOTORO*

### *Ihungabana ry'ibikorwa vy'ubutunzi muri komine Ngozi mu ntara ya Butanyerera.*

Kuva kuwa 11 gushika kuwa 13 Ruheshi 2026, igikorane c'amasengesho carabaye ku kibuga co ku Gasaka, muri komine Ngozi, mu ntara Butanyerera, yateguwe n'indongozi z'umugambwe CNDD FDD muri iyo ntara mu kwibuka uwahoze ari umukuru Nkurunziza Pierre.Twobamenyesha ko abanyagihugu bategetswe guterera amahera,harimwo n'abantu batari muri uyo mugambwe uri ku butegetsi .Abayobozi b'amashure,abarongoye ivyigwa hamwe n'abigisha basabwe kutanga uko bakurikirana 15 000 fbu, 5 000 fbu na 2 000 frbu. Vyongeye,abagore badandaza ivyamwa kw'isoko nkuru ya Ngozi barashikiriza akababaro kabo,kubera basabwe guterera ku rugezo rwa 5 000 frbu mugutegura urwo rubanza,3 000 frbu yo kugura ibifungurwa vyo gushira mu biseke mu gusozera igikorane,hamwe na 30 000 fbu yo gukota impuzu z' abagore bazokwikorera ivyo biseke.

Umunsi wa mbere w'igikorane,abanyagihugu ntibavyitavye neza. Umunsi ukurikira,urwaruka rw'Imbonerakure rwazungurutse mu makaratiye no mu mitumba,bahamagarira abanyagihugu guhagarika imirimo yabo yo kurima kugira baje mu gikorane. Igiporisi,gifadikanije n'urwaruka Imbonerakure rwa CNDD FDD, rwategetse kwugara inzu z'ubudandarizo, ubunywero ndese n'isoko nkuru ya Ngozi gushika isaha cumin a zibiri z'ijoro. Amazu yo kudandarizamwo imiti hamwe n'inzu z'uburiro nizo zari zifise uruhusha rwo kwugurura. Amahadabu aba ku mahera angana 50 000 y'amarundi yatangishijwe ku bubahutse kwugurura inzu zabo ngo badandaze. Ivyo vyarasubiriye n'umunsi wa nyuma w' igikorane,waranzwe ahaninin n'ibirori bisa n'ivyagisirikare vy'urwaruka rwo mu mugambwe ,bita "ibiswi vy'inkona". Abanyagihugu bariyamiriza izo ntererano z'agasakisaki hamwe n'n'iyo minsi 3 yatakaye,yari igenewe ibikorwa vyo kwieza imbere.

### *Intererano z'agahotoro zisabwa n'umugambwe CNDD-FDD muri komine Muyinga mu ntara ya Buhumuza*

Umunyamabanga wo kurwego rwa komine w' umugambwe uri kubutegetsi CNDD FDD muri komine Muyinga yegeranije amahera yo gukoresha mu mugambwe ku nguvu ku munyagihugu wese wo muri komine Muyinga ataravye ko uri mu mugambwe canke utarimwo. Ubutumwa bwo gusaba intererano bwaratanzwe mu buzi bwose bwa Reta canke bw' abigenga kuva ku mahera angana 2000 n'ayarenga ku muntu. Abanyagihugu bararuhishijwe n'izo ntererano z'agasakisaki kandi zisabwa kenshi mugihe komine isaba amahera 4000 ku kwezi ku kwezi,inyubako y'ibiro vy'intara ya Buhumuza batangisha amahera 10 000 n'ayandi. Izo ntererano zisabwa n'umugambwe CNDD FDD nizo zihemba umunyamabanga w'umugambwe muri komine hamwe n'umukuru w'ibiro bahebwa uko bakuriirana 1.000.000 F na 500.000F ku kwezi ku kwezi umwe umwe. Twobamenyesha kandi ko uwo mugambwe usaba kenshi amahera y'ukwakira indongozi ku ngazi zose: ingendo zo ku mitumba,hama ku ma zone hagahereza amakomine aho babaha ibahasha ryo kubakira igihe cose baje.Baribagira ko abantu bose batari muri uwo mugambwe kandi ko umwe wese aterera mu mugambwe ahurikiyemwo.

## III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI(Ibikurikira urupapuro15)

### Iduga ry'ibiciro ry'ibifungurwa muri komine Muramvya mu ntara ya Gitega

Muri komine Muramvya, nko muyandi makomine y' igihugu,igisata c'ubutunzi n'imibano bisubira inyuma ku munsi ku munsi. Ibiciro vy'ibifungurwa nkenerwa hamwe n'ibindi bikorwa biduga kuburyo buteye ubwoba muri iyi minsi ya nyuma.

Naho biri uko, abanyagihugu bari bafise icizere kw'itegeko nshikiranganji No 750/1234 ryo kuwa 23 Ntwarante2025, rishinga ibiciro ntarengwa ry' ibifungurwa,ariko bitakurikijwe.

Twaragendeye inzu z'ubudandarizo zitandukanye kuwa 12 Ruheshi 2026 ku murwa mukuru wa komine Muramvya, ng'ibi ivyo twabonye :

| Ibidandazwa | igipimo | Ibiciro vyashinzwe na Reta | Ibiciro vy'u bu kuwa 5 Ruheshi 2026 |
|---|---|---|---|
| Umuceri | 1 kg | 4.000-5.000 | 8.000 |
| Ibiharage | 1kg | 2.500-3.000 | 4.000-6.000 |
| Ifu y'imyumbati | 1kg | 1950-2500 | 3000 |
| Ifu y'ibigori | 1kg | 1700 | 3.500 |
| Umunyu wo ku gikoni | 1kg | 1.000-2.000 | 3.500 |
| Amamesa | 1kg | 4000-5000 | 12.000 |
| Inyama y'umusoso | 1kg | 22000 | 30.000 |
| Ibijumbu | 1kg | 700-1300 | 4.000 |
| Ibiraya | 1kg | 1.000-1800 | 3.000 |
| Inyanya zihiye | 1kg | 2000 | 4.000 |
| Ibitunguru bitukura n'ivyera | 1kg | 1000-1300 | 4.000 |

## III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO

### Igaruko ry'uburyo bwo kwigisha bwahahora kugira haduzwe urugero rw 'ubumenyi bw'abanyeshure mu gihugu

Mu ntumbero yo gutegura amatora,Reta y'uburundi yiteguriye guhindura uburyo bwokwigisha kuva mu mwaka w'ishure 2026-2027. Ico cipfuzo cashikirijwe na André Nduwimana, umuyobozi mukuru ajejwe urutonde rw'ivyigwa mu mice itandukanye, mu kiganiro yashikirije kw'iradiyo Nderagakura. Umushikiranganji wa mbere,Nestor Ntahontuye,yaremeje iryo hinduka kuwa 12 Ruheshi 2026, mu kiganiro c'abanyagihugu aho hari hitavye abamenyeshamakuru benshi.

Ako kigoro kaje inyuma y'imyaka myinshi hariko hakoreshwa uburyo bwo kwigisha ishure nshingiro,aho ukurimbura vyashize ahabona ingorane zidasanzwe. Ku bwa Nduwimana,ubushikiranganji bw'indero n' ubushakashatsi bwabonye isubira inyuma c'ubushobozi bw'abanyeshure mu rurimi rw'igifaransa,ururimi nyamukuru rukoreshwa mu nyigisho mu gihugu cose riteye ubwoba. Yashimangiye :« Hateguwe gushiraho inyigisho nshasha mugihe abigisha atabumenyi bukwiye babifisemwo,bakizera kuronka umusaruro mwiza. » Ni kuri iyo mvo,ubushikiranganji bwateguye amahugurwa y'abigisha mu buruhuko,kugira bitegurire ibizoba biri mu nyigisho.

Ihinduka rizoja mu ngiro bukebuke ku banyeshure bo

mu mwaka 7 gushika mu mwaka wa10. Umwimbu wo kirimbura vyimbitse,vyakozwe bakoranye n'abari mu gisata c'indero bari ku rubuga,vyerekanye ko ivyigwa bimwe bimwe birimwo ivyirwa vyisubiriza bidakenewe mu gihe ibindi birimwo ingorane zikomeye. Indongozi mu bushikiranganji bwegeka ubwobunege kw'ishirwa mungiro ryihuse ry'inyigisho z'ishure nshingiro. Umuyobozi mukuru yamenyesheje ko ubumenyi buke mu gifaransa bufise ingaruka mbi,bituma kudatahura ibindi vyigwa.

Kugira haboneke umuti w'ivyo vyosse,ubushikirangangi bwarashizeho ubumenyi bushasha bwishimikije intumbero z' igihugu,akarere n'amakungu. Umugambi wo guhindura ivyigwa nawonyene warashizweho kuva mu mwaka 7 gushika mu mwaka 10, hashizwemwo ibisabwa vyavuye mu bugenduzi butandukanye. Mu bitegekanywa guhinduka,umwaka w'10 uzotangurana n'umwaka w'ishure 2027-2028,ingingo emejwe n'umushikiranganji wa mbere muri ico kiganiro c'abanyagihugu.

Uwo mushikiranganji yaramenyesheje kandi ko hazosubira kwugururwa amashure y'indaro ku banyeshure bo mu mwaka 7 bazorungikwa mu mashure y'akarorero inyuma yo gukora ikibazo ca Reta,hamwe no gusubizaho gufungurira abanyeshure bo muri kaminuza y'Uburundi.

Amashirahamwe y'abigisha bakiriye nea iyi ngingo,bashima ishaka rya Reta ryo gusubira ku buryo bw'akarorero bwa kera bwo kwigisha.Mugabo,bashimikiye ku kamaro ko gukurikirana neza iyo ngingo kugira iryo hinduka rishike kw'ihangiro rirama kandi no guteza imbere akanovera k'indero mu Burundi.

## *IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*

### *IV.1.UBURENGANZIRA BW'ABANA*

#### *Ikiziga c'uruyoya catowe i Bihanga muri komine matana mu ntara ya Burunga.*

Kuwa 9 Ruheshi 2026, ku mutumba Bihanga,muri zone na komine matana mu ntara ya Burunga,ikiziga c'uruyoya caratowe.

Urwo ruyoya rwahambwe n'abakorerabushake bo mu muryango utabara imbabare ariko uwagirizwa gukora iryo bara ryo kumwica akivuka ntiyamenyekanye ku bwo ababa kuri uyo mutumba. Abo bahaba barababajwe no kubona atamatohoza y'igiporisi namwe yakozwe.

#### *Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine Matana mu ntara ya Burunga*

Kuwa7 Ruheshi 2026, ku mutumba Migerere,muri zonena komine matana, mu ntara ya Burunga, ikiziga c'uruyoya caratowe mu rugo rw'umuryango uri kuri uyo mutumba. Inyuma yogutora urwo ruyoya,igiporisi cahagaritse abantu 7 harimwo Arakaza Chancilla , w' imyaka 20, umubanyi waho ico kiziga catowe hamwe n' umugore w'imyaka irenga 50 ku mvo z' amatohoza. Ibipimo vya muganga vyarakozwe mugihe abo 7 bari mw'ibohero.Amasoko yaho avuga ko 6 muri 7 baruhiye kurekurwa n'igiporisi.Arakaza Chancella yagumijwe mw'ibohero ry'igiporisi ca komine Matana.Izo nkuru ziremezwa n'uwutwara zone Matana , Désiré Niyongabo amenyesha ko igipimo ca muganga cakozwe n'ibitaro vy'iMatana vyagizweko amakenga kandi abikekwa bose barajanywe ku kigo c'ubuvuzi c'iMuramba muri komine Matana nyene kugira bakore ibipimo ubugira kabiri.

#### *Ibiziga 2 vy'abana bavukana vyaratowe mu karere ka Nyarumanga, intara ya Bujumbura*

Kuwa 9 Ruheshi 2026, mu gatondo,abarimyi babonye ahajojoteye amaraso menshi ku myaba y'imiceri. Bakwirikiranye uwo mugende,batanguye kubona ikiziga ca mbere,hanyuma ica kabiri kure yaho gato. Bashwangamuwe n'iyo nkuru,abanyagihugu barihuse kuhashika.Muri basumye urusaku,abana barihuse kumenya abo bapfuye:abana 2 bavukana.Mu ntango,umunyagihugu w'umurundi,yubatse n' umugore w'umunyakongo,yavuye mugihugu aja

kurondera akazi mu mahanga,asiga umugore wiwe n' abana babo 2 munzu bapanze.

Ari hanze,umushingantahe yararungikiye amahera umuryango wiwe kugira bagure ikivi kirimwo amazu menshi.

Nkuko,umugabo yabisavye,ikivi caranditswe ku mazina y'abana.Nyina n'abana baba muri imwe muri ayo mazu,mugihe izindi zari zipangishijwe,

Kubwo amasezerano y'abubakanye,amahera bapangisha yategerezwa gufasha muvyo umuryango ukenera ku musi ku musi,mugihe se w'abana yiyemeje kuriha ibijanye n'amashure y'abana n'amahera arungitse.

Ibintu vyagiye guhinduka igihe umugore yatangura kumuharika n'uwundi mugabo,nawe nyene afise abana 4.Yagiye iwe agumayo,arata umuhira,Ni kuva aho abo babiri bahuye gushasha bategura umugambi wo kugurisha urwo rupangu rwegukira abana b'umugabo wa mbere.Kugira babishikeko kandi bakureho intambamyi yose mu bijanye n'itegeko,bafashe ingingo yo gutegura kwica abo bana 2.

Umugambi warashizwe mu ngira mu mice 2.Mw'ijoro ryo ku musi w'Imana,umuhabara yikitse mukiza imfura ifise imyaka isinziriye arayinyuruza.Umwana ntiyasubiriye kuboneka ari muzima.Bukeye bwaho ku musi wa mbere,umugabo yarasubiri akabi kiwe mu kunyuruza umwana wa kabiri.

Ibiziga vy'abo 2 vyatawe mu nyuma mu murima w' umuceri.Ni abana bwite b'uwikekwa ko icaha bagize uruhara mu kubumvisha uburyo icaha cakozwe.

Bariganye ido n'ido uko se wabo yabikoze ,incuro zibiri,mu kunyuruza abishwe.Baravuze neza ko bomvise umwana wa mbere arira mu cumba co kwakiriramwo abashitsi.

## *V. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Uburundi:**

1. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga kugira hamenyekane abishwe hamwe n'icatumye bicwa.

2. Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo

3. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure imbere y'ubutungane budahengama,

4. Kuvavanura n'umugambi wwyo wo kuja mu ndyane zo muri Kongo mu ntumbero yo gukinga kubandanya ishira mu marira imiryango y'abarundi,

5. Gufata ingingo zibereye zo gukingira agateka k'abana hamwe no kurwanya ubwicanyi bw'abana bwabaye ndanse mu Burundi muri iyi misi.